# Ibisabwa bikenewe k’Urupapuro rw’Umutsindo rw’Amashuri yisumbuye ku bavyeyi (HSC)

Name of student
Izina ry’umunyeshuri

Name of parent
Izina ry’umuvyeyi

Date for meeting
Igenekerezo bazohurirako, ry’inama

Nyakwubahwa muvyeyi/ murezi

Nanditse kugira ngo ndabibutse ivyerekeranye na HSC bisabwa n’imiburiburi. Kugira ngo abanyeshuri baronke urupapuro rw’umutsindo mu mashuri yisumbuye HSC bategerezwa kuba n’imiburiburi baronse amanota mu ndimi, mu ndome no mu guharura. Amanota make asabwa afatirwa ku bibazo bitangirwa ku buhinga ngurukanabumenyi mu gusoma no mu guharura.

Kuri uru rwego, umwana wawe ntarashikana amanota asabwa kuri HSC kandi mugihe atoronka ayo manota asabwa kuri HSC kandi no kutaronka urupapuro rw’umutsindo.

Umwana wawe ntiyaronse amanota asabwa muri ibi bikurikira:

- ☐ Reading
  Gusoma
- ☐ Numeracy
  Guharura
- ☐ Writing
  Kwandika

Nipfuza guha umwana wawe uburyo bwose buboneka kugira ngo aronke amanuta asabwa na HSC kandi na wewe ndaguhe uburyo bwose wipfuza kugira ngo umushigikire ashobore gushika ku urwo rwego.

Nipfuza kugutumira mu kiganiro co guhanahana ivyiyumviro kuri iyo taliki iri aho hejuru kugira ngo umwana wawe n’ishuri bashobore gukorera hamwe bumvikana ku bijanye n’integuro y’ukwiga kw’umwana wawe. Ukwo guhanahana ivyiyumviro kuzoba kurimwo ivyo umwana wawe yipfuza gushikako ku bijanye na HSC, imfashanyo ishoboka ku bijanye n’indome, hamwe n’uguharura hamwe n’ibindi bashobora kujamwo ku bashaka kubandanya amashuri. Uruhara rwanyu, canke ukugira ico mukoze kwanyu ni ngirakamaro cane.

Amanota n’imiburiburi y’ibibazo vya HSC tubisanga ku rubuga ngurukanabumenyi rw’umwana wawe Student Online kuri NSW abategetsi basanzwe bakora ivyerekeranye n’indero n’ubumenyi ku rubuga ngurukanabumenyi (NESA) tuzoba dufise kopi yayo muri iyo nama tuzogirana.

Nimba woba ukeneye umusobanuzi muri iyo nama canke uwo mubonano, usabwe kwinjira mu migenderanire n’ishuri na ryo rikazotunganya uwo muntu nimba ariho.

## Inomero za telephone z’uwushobora kugusobanurira mu rurimi wumva

Nimba ukeneye umusobanuzi kugira ngo agufashe kwinjira mu migenderanire n’ishuri, usabwe guhamagara umusobanuzi kuri 13 14 50 kandi uce usaba umusobanuzi wo mu rurimi rwawe. Uwujejwe ivyo azoca ahamagara ishuri maze akuronderere umusobanuzi ku buhinga ngurukanabumenyi kugira ngo agufashe muri ico kiganiro muzogirana. Ivyo nta mahera bazobikurihishako, bikorwa ku buntu.

Uwawe abakunda

Umuyobozi mukuru (Principal)

Izindi nkuru zoba zirengeye izi dutanze ngahe ku bijanye n’urutonde rw’ibisabwa kuri HSC murashobora kubironderera ku rubuga ngurukanabumenyi rwa NESA
https://educationstandards.nsw.edu.au/wps/portal/nesa/11-12/hsc/hsc-minimum-standard